**REPUBLIQUE DU BURUNDI**
**PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE**
AGENCE DE REGULATION ET DE
CONTROLE DES TELECOMMUNICATIONS (ARCT)

**Bujumbura, le 23 /08 /2024**

**ITANGAZO RIJANYE N'ISHIRWAHO RY'UBUHINGA BUSHASHA BWO GUTOHOZA KU MABI AKORERWA KU MATEREFONE**

Ikigo ca Leta kijejwe gutunganya no kugenzura ivyo gutumatumanako amakuru ARCT kiri n'iteka ryo kumenyesha abenegihugu ko cashizeho ubuhinga ngurukanabumenyi bugiye kworohereza abitura ico kigo ku mabi baba bakorewe biciye ku mihora ya téléphone canke abibwe amaterefone.

Ubwo buhinga buje gufasha kugabanya ingendo n'umwanya abanywanyi b'imihora bafata iyo bariko baja kurondera amakuru ajanye n'amabi baba bakorewe biciye ku materefone. Buzofasha kandi mu kubika neza amakuru azoba yatohojwe.

Kuva kw'igenekerezo rya 26 myandagaro 2024, umuntu wese azoba akeneye gukurikirana amabi yakorewe biciye ku terefone ntazirirwa aratonda mu kigo ARCT canke ku mashirahamwe akora ivyo gutumatumanako amakuru nk'uko vyahora. Umuntu azitura inyamiramabi imwegereye yitwaje ikarata ndangamuntu yiwe ashikirize ivyo akeneye kubaza bice birungikwa mu kigo ARCT hanyuma aronke inyishu ubwonyene kandi amakuru yiwe akingiwe mw'ibanga.

Ikigo ARCT gisavye aberwa n'iki kibazo haba abaraba ivy'ubutungane, amashirahamwe yo gutumatumanako, inyamiramabi, abakoresha amaterefone gutangura gukoresha ubu ubuhinga bushasha bworohereza abanywanyi.

**Bigiriwe i Bujumbura, Kuwa….. myandagaro 2024**

**Umuyobozi mukuru wa ARCT**

**Dr MUHIZI Samuel**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
A.R.C.T
Direction Générale de l'Agence de Régulation et de Contrôle des Télécommunications

N°14, Avenue de France, Quartier Rohero I, Bujumbura - BURUNDI
Email: info@arct.gov.bi Site web: www.arct.gov.bi
Tél. : +257 22 25 56 67 ou +257 22 21 02 76 Fax: +257 22 24 28 32
B.P. : 6702 BUJUMBURA N.I.F: 4000004954